Bujumbura, le 20/04/2020

REPUBLIQUE DU BURUNDI

MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE
ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA
*CABINET DU MINISTRE*

N° 630 / 3066/CAB/2020

V/ Réf/

N/ Réf/

Objet : **ITANGAZO RY'UBUSHIKIRANGANJI BWO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y'ABANTU NO KURWANYA SIDA RYEREKEYE IKIZA CA CORONAVIRUS MU BURUNDI**

Kuva kw'igenekerezo rya 15 gushika kurya 19 Ruheshi 2020, harakozwe ibipimo vyo gusuzuma ko ba bantu 28 bari mu bitaro bakurikiranwa n'abaganga ko boba bagifise imigera ya Coronavirus ; ibipimo vy'abantu 25 biketsweko boba baranduye ikiza ca Coronavirus batabarijwe n'ibitaro bitandukanye vyo mu gihugu bagizwe na 9 bo muri KIRA HOSPITAL, 4 bo muri HPRC, 2 bo muri HMK, 2 bo muri POLYCEB, 3 bo muri CNU na 5 bo mubitaro bikuru vy'i Ngozi, hamwe n'ibipimo vy'abantu 487 bamaranye umwanya munini n'aba barwayi batowe umugera wa Coronavirus, **bose hamwe bakaba ari 531 bakorewe ibipimo.**

Ivyo bipimo twasanze vyifashe gurtya:

- **Ibipimo vyo gusuzuma ba barwayi 28 bari mu bitaro vyerekana ko abantu 18 atamigera ya Coronavirus bagifise. Abo bandi 10 naho batarakira, amagara yabo yifashe neza.**
- **Muri 25 batabarijwe n'ibitaro bitandukanye vyo mu gihugu, 7 bagizwe na 3 bo muri KIRA HOSPITAL , 1 wo muri HMK, 1 wo muri HPRC, 1 wo muri POLYCEB hamwe n'umwe (1) wo muri CNU, twasanze baranduye imigera ya coronavirus.**
- **Mu bantu 478 bamaranye umwanya munini naba barwayi batowe umugera wa Coronavirus, abantu 33 nibo banduye imigera ya coronavirus.**

**Abo barwayi 18 bakize, , bakaba baronkejwe uburenganzira bwo gusubira mu miryango yabo.**

**Igikorwa co gukurikirana abantu bamaranye umwanya munini n'abo barwayi bashasha ukwo ari 40 batowe indwara ya Coronavirus kirabandanya, mu ntumbero yo kumenya abandi boba baranduye.**

Ubushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya Sida busubiye guhumuriza abenegihugu ngo batekane, ariko bitwararike gukwirikiza impanuro zo kwikingira no gukingira abandi ikiza ca Coronavirus.

**Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 20 Ruheshi 2020**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Ministre
B P 1820
BUJUMBURA
Ministère de la Santé Publique et de la Lutte Contre le Sida

**IBIRO VY'UMUSHIKIRANGANJI WO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y' ABANTU NO KURWANYA SIDA**

Bujumbura, le 20/06/2020

REPUBLIQUE DU BURUNDI

MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE
ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA
*CABINET DU MINISTRE*

N° 630/3066/CAB/2020

V/ Réf/

N/ Réf/

Objet : COMMUNIQUE DE PRESSE DU MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA SUR LE SUIVI DES ACTIONS DE PREVENTION ET DE RIPOSTE FACE AU COVID-19

En date du 15 au 19 Juin 2020, l'Equipe d'Intervention Rapide du Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida a effectué des prélèvements de contrôle sur les 28 patients testés positifs au COVID-19 qui sont sous suivi médical ; 25 cas suspects sur alerte de certains Hôpitaux du Pays, dont 9 de KIRA HOSPITAL, 4 de l'HPRC, 2 de l'HMK, 2 de la POLYCEB, 3 de la Clinique des Nations Unies (CNU) et 5 de l'Hôpital de Ngozi ainsi que 478 personnes-contacts ; **soit un total de 531 personnes prélevées**.

Les résultats des examens virologiques sont les suivants :

- **Parmi les 28 anciens patients sous suivi médical, les résultats des tests de contrôle sont revenus négatifs au COVID-19 pour 18 personnes, toutefois l'état de santé des 10 autres est bon.**
- **Les résultats des 25 cas suspects sont revenus positifs au COVID-19 pour 7 personnes dont 3 de KIRA HOSPITAL, 1 de l'HMK, 1 de l' HPRC, 1 de la POLYCEB et 1 de la CNU.**
- **Parmi les 478 personnes-contact, 33 cas sont revenus positifs au COVID-19.**

**Les 18 anciens patients guéris ont eu les billets de sortie.**

**La recherche et l'identification de toutes les personnes ayant été en contact avec les 40 nouveaux cas positifs au COVID-19 sont en cours.**

Le Ministère de la Santé Publique et de la Lutte contre le Sida réitère son appel aux populations à rester sereines, tout en respectant scrupuleusement les mesures de prévention individuelles et collectives contre le COVID-19.

Fait à Bujumbura, le 20 Juin 2020

LE CABINET DU MINISTRE DE LA SANTE PUBLIQUE
ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Ministre
B P 1820
BUJUMBURA
Ministère de la Santé Publique et de la Lutte Contre le SIDA